
# INTAHE ITANGAJE Y'UMUMISYONERE YATEMBEREYE MW'IJURU



MISYONERE DOCTEUR COLLETT PERCY

*Aho hantu mwumva hitwa mw'Ijuru haruta isi incuro mirongo icenda. Narahatembereye, ndahagendagenda imisi itanu n'igice yo kw'isi*

## *INTANGAMARARA*

Abanyabwenge bavuga ko haheze imyaka imiriyaridi amajana ane hatanguye iremwa, abandi n'abo bakavuga imiriyaridi cumi na zitatu. Barongera bakavuga ko haheze imyaka ibihumbi amajana abiri habayeho umuntu agomba kumera nk'umuntu w'ubu. Ubwo bumenyi, abaciye mu mashure ya kaminuza mu bisata bivugwamwo iremwa ry'amasi, ivuka n'ipfa ry'inyenyeri hamwe n'inkomoko y'ibintu, bose baraburonse. Ni vyo impari ntizobura naririya ar'ivya kera cane kandi ata buhinga buraboneka bwodufasha gusubira inyuma ngo tuvyihinyurize neza ubwacu; ariko igitangaje n'uko bibandanya vyigishwa nk'ukuri kuzima mu mashure kandi abantu bakavyizera!

Imana ntirenganya ***(1 Petero 1:17)***. Ubwenge Imana ishaka ko turonka ntiburinda gusaba kuba warize amashure ahanitse ***(Yakobo 3:13-18)*** naho kwiga ari vyiza cane. Kuko nimba waravutse urazi k'uzopfa ukava kur'ino si. Ingorane ihari n'uko umwanya munini tuwukoresha mu kwumviriza ivya kahise no mu gutegura ivy'ubu buzima arikw ivya kazoza kacu k'inyuma y'urupfu ntitubibabare. Ivyo birababaje cane.

Ncuti mwubahwa urik'urasoma kino gitabo kumbure woba uvuga ko ata Mana ibaho, nokumenyesha kw atampamvu ihari yo guhakana Imana yihishuriye abantu biciye muri Yesu Kristo w'i Nazareti ***(Yohana 1:1-18)***; Imana ihoraho yaremye vyose. Ico akaba ari kimwe mu binyegezwa bikomeye aho Imana yigize umuntu ikabana n'abantu. Kugez'ubu Yesu Kristo aramaze kujana abantu benshi gutembera mu Bwami bw'Imana hanyuma baragaruka baratwiganira ivy'ico gihugu citwa Ijuru ***(2 Ab' i Korinto 12: 2-5)***. Na Satani nyene ariho kandi ntaco bimutwara guhakana kw ariho kukw arazi kw ariho nah'asigaje igihe gito, kandi ingero atanga n'amarushwa ku bamukoreye bose. ***(Matayo 4: 1-11), (Ivyah.Yoh.20:1-3).***

Ndazi abantu benshi bapfa kuvuga kw inyuma y'urupfu ata bundi buzima buriho. Kumbure nawe uri mur'abo. Gufata ingingo nk'iyo ni uguta ubugingo bwawe mu kaga ! Ibaze niwapfa hanyuma ugaca ukanguka wisanga mu Muriro ! Mbega ntuzoca ubona ko wabaye ikijuju hanyuma wibaze uti ese iyo mpfuma niyumvira igihushane ngakorera Ijuru ! Ivyo vyoba binababaje cane hamwe woba witwa ko wanaciye mw'ishure ariko ukunanirwa no gutegekaniriza akazoza ubuzima bwawe ! ***Imigani 14:12*** : ***« Harih'inzira umuntu yibgira kw'ari nziza, arikw'amaherezo yayo n'inzira ishikana mu rupfu.»***

Iki gitabo kigizwe n'intahe y'umumisyonere yishikiye aho wumva benshi bavuga hitwa mw'Ijuru, Ahari Intebe y'Ubwami y'Imana, kandi abayizeye bose bakagendera mw'Ijambo ryayo bazoba. Uwo mutama COLLETT PERCY yagiyeyo yari yaranaciye mu mashure ahanitse kuko afise impamyabushobozi ya Doctorat. Ni intahe itangaje cane kandi idutera inyota yo kuja mw'Ijuru.

## *UMWIDONDORO W'UWO MUGABO YABONYE IJURU*

*Docteur Percy Collett yatanguye igikorwa ciwe co kuvuga ubutumwa bwiza hagati mu bahindi bo muri Brezile, mu 1925, nk'umusore w'umuganga akaba n'umumisyonere. Umukenyezi wiwe n'umuyahudikazi wo mu Burusiya. Se w'umugore wiwe hamwe n'umugore wiwe ni bo bonyene bashoboye gucika kw'icumu mu muryango wose, igihe c'imigumuko yo guhindura ivy'intwaro yabaye mu Burusiya. Igihe namubaza aho urugo rwiwe ruri, yanyishuye kw icicaro c'igikorwa c'ivuga butumwa yahawe kiri muri Oklahoma, ariko ko i « muhira » ari ishamba ryo muri Brezile.*

## *INTAHE YANJE*

« Kenyera zigume ! » (Aya majambo yanditswe akuwe mw'ikaseti, akaba yabitse akanovera k'imvugo yo kuyaga). Ngira nihate ndabatware mw'Ijuru ningoga vyihuta kuri kano kagoroba, kuko ni ho twese twifuza kuja! Ndabashikirije igishika c'urukundo c'igihugu ca Brezile, ariko cane cane, intasho z'Ijuru. Iryo bita Ijuru risumba Isi incuro mirongo icenda (90). Ni Urusi runini. Imana iteguriye urwo rusi rungana amahēro abacunguwe bose kugira ngo bahabe mu buzima budashira.

Nsubiye inyuma gato, Mama wanje yajanywe n'Umwami Yesu igihe narimfise imyaka 5 gusa. Ari mw'Ijuru kuko naramubonye iyo hejuru. Ni mur'ico gihe nk'impfuvyi y'imyaka itanu, nabona umumarayika wa mbere. Yaje mu cumba canje aca avugana nanje. Mu nyuma, mfise imyaka 14 ndi mu ruhongore kwa sogokuru, umumarayika yaranyiyeretse ahagaze imbere y'indogoba zanje. Yaciye ambwira ati : *«Imana iraguhamagaye ngo uyikorere, uzoja kw'isi yose.»*. Naciye mbwira sogokuru ko nabonye umumarayika, na we acaranyishura ati : *« Mwananje, nimba ar'uko biri, kuva uno musi, ntukiri musi y'ububasha bwanje, arik'uri musi y'ububasha bw'Umwami Yesu.»*.

Kuva ico gihe naciye mbaho umwanya wose ndongorwa n'Imana mu buryo bwagutse, nk'inyegu kandi atagahigihigi, ndongōrwa n'Ubushobozi bw'Imana nzima. Mu nyuma haheze igihe narabonye abamarayika mw'ishamba, ndetse ndabona neza na neza *« igicu kinini c'ivyabona.».*

Ndiko ndarangiza igikorwa canje, namaze imyaka 7 nsengana ubwihebure nti: *« O Mana, nyereka Ubwiza bwawe ! »*. Mbeg'isengesho ! Kuko mu nyuma Uhoraho yarandetse ndabona Ubwiza bwiwe. Ng'uku uko yabishikije : Twari benshi tukoraniye mu masengesho mu mavuta y'Ubushobozi bwa Mpwemu Yera hanyuma nko mu kanya isase twaciye duhundagara twese hasi musi y'Ikiganza c'Imana nzima. Bamwe muri twebwe, b'imitima y'igiciro, turazi icari co kugwa hasi musi y'ubushobozi bw'Imana. N'ukwigaragaza gukomeye. Imana n'inyenkomezi !!!

Bibiliya ivuga iti : *« **Azobuzuza Mpwemu Yera n'Umuriro** »* kandi murazi kw'iyo mufise umuriro, haba harimwo inguvu. Mur'ico gikorane, aho vyari vyahimbaye Umwami kwishurira amasengesho yanje, na jewe nyene narindambaraye hasi, hanyuma yaciye arungika umumarayika avuye mw'Ijuru kugira ngo anyemerere kubona Ubwiza Bwiwe. Bene data nkunda, *hariho ikintu GIKOMEYE IMBERE YANYU KUBW'IVYO NDABATUMIRIRA KUBIKAYO IVYIZIGIRO VYANYU.*

Hariho igihugu aho hejuru kibarindiriye, kandi mugereranije, muzobona kw iyi si yari ubusa gusa. Inzu nziza nziza z'agakura z'ino epfo kw'Isi ntaco zisa zisana n'amazu y'aho hantu h'icubahiro kandi h'igitangaza. Kubw'ivyo, Yesu yavuza ati : *« I muhira kwa Data har'amazu menshi, iy'aba atariho, mba ndabibabgiye, kuko ngiye kubategurira ahanyu. Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngw aho ndi namwe abe ari ho muba.»* ([Yohana 14 :2-3](#))

### *URUGENDO RWO GUSHIKA MW'IJURU*

Gushika mw'Ijuru, n'urugendo rurerure cane. Naragize urwo rugendo. Ni amasaha atandatu yo gushikayo, n'amasaha atandatu yo kugaruka, ku murindi wo kunyaruka USIG'UBWENGE! Incuro 90 gusumba Isi! Ni ukuvuga kw **inkikuro yaho irimwo ibirometero imiriyoni zitatu** (**Km 3.000.000**). Ibiti vyiza cane bihebuje, inzuzi, ariko ico nifuza kubabwira kur'uno mugoroba, n'Uruzi rw'Amazi y'Ubugingo. Rutemba ruva ku Ntebe y'Imana. Kandi Imana igira igomororere uwo mugende munini w'amahero ku buryo uzoshikira Isi mu nkomezi z'Iyo Hejuru, ni ho ukwasana k'ugusanganguka kutari bwabeho kuzobaho ivyo ni vyashika.

Imana irafise umugambi, isaha y'Umugambi Wayo irageze, kubw'ivyo sinizera ko twebwe Abakristo tuzobona impera ya kino kinjana. Ivyo ni vyashika, sinifuza ko noba nasigaye kugira ngo mbe mu marushwa azokurikira. Nifuza kugenda, kugenda mur'iryo duzwa ry'icubahiro ry'Ishengero Bibiliya itubwira. Kandi ndazi ko tutazosubira kubona urupfu ukundi inyuma y'ivyo.

Naramenye mw'Ijuru abantu bakomakomeye b'Imana. Narabonye Abapasitori bagenzanje na Basogokuruza bacu, Intumwa n'Abahanuzi, hamwe rero n'uwusumvya igiciro vyose, akaba na We ar'Umwami Yesu ! Twaratemberanye mw'Ijuru, mu bibanza vyo mu majuru bitangaje. Naratemberanye na **YESU**! Narabonanye na **Yobu** sogokuruza, umwe Imana yabaza iti: *« Wari he igihe nashiraho amatanguriro y'isi? ».* Narabonye **Simiyoni** umwe yakira mu biganza vyiwe Yesu ar'akayoya agaca avuga ati: *« Mwami, sezera umushumba wawe amahoro, kuko amaso yanje abonye agakiza... ».* Kure y'aho, nabonye **Intumwa Paulo**, umwe yajanwa agashika mw'Ijuru rya gatatu. Ijuru n'ahantu h'inzahabu gusa, h'ubwiza, hatangaje kandi hasa neza cane!

Aho rero, nari navuye kw'isi. Nari natandukanye n'umubiri kuko wowo wari urambaraye ha handi, ntikakaza na gato. Abaganga baraje kuwupima: amaraso yaratembera mu mitsi, ariko ubushobozi bw'ubwenge bwanje siho bwari mu kiringo c'imisi itandatu.

**Ubugingo bwanje bwari bwasohotse buva mu mubiri**. Murafise ubugingo, umuntu wese arafise ubugingo (umushaha) kuko Imana itubwira muri Bibiliya ko yahumekeye mu muntu impwemu y'Imana, *«aca aba uwufise ubugingo ».* Ubugingo bwanyu ni mwebwe nyene, bufise ishusho yawe, ni bwo bukora, ni bwo buvuga, ni ico muri koko. Ni bwo bukorera muri mwebwe, bwitwa kandi umuntu w'imbere.

Paulo yavuze ati: *«**N'ubwo umuntu wacu w'inyuma ariko arabora, umuntu wacu w'imbere yiyubura buri musi.** »*. Umumarayika wanje yari iruhande yanje, yagumanye nanje hashize imyaka 79, ntiyari bwasubire mw'Ijuru kuva mvutse. Yarafise igishika co kimwe nanje yibutse kuja hariya hejuru! Umwe wese muri mwebwe arafise umumarayika amucungera, ubimenya canke ureka, umurango n'ijoro aragukingira. Hiyo, niho Umumarayika w'Uhoraho yamanutse ava. Ivyo birabatangaje?

Dusome muri Bibiliya : *«Umumarayika w'Uhoraho yiyeretse Aburahamu mu bihe vya kera, yaravuganye na we kandi arasangira na we.».* Mbeg'ingene **Aburahamu** yar'umuntu ahambaye! Naramubonye, we n'umugore wiwe **Sara**, hamwe n'Intumwa Paulo…imisi itanu n'igice namaze mw'Ijuru, dutemberana na Yesu.

Hariyo intambo mw'Ijuru, n'intambo z'agakura: batambira ku kiyaga c'inzahabu zitavanze, kibonerana, gisa nk'ibirahuri, imbere y'Intebe y'Ubwami kubw'icubahiro c'Imana. Imana iraryoherwa no kurorera abantu bayo bariko baratamba! Ijuru ryose ryuzuye umuziki: ibicurarangisho bidaharurika, ibizwi n'ibitazwi kw'isi, vyose bikavuzwa kubwo kuririmba izina ry'Imana yacu.

Mwarimuzi kw ***iyo mw'Ijuru UMWANYA UTABAHO*** ? Nta saha ibayo, umwanya ntubayo. Ubwiza bw'Imana bwuzuye vyose, kandi ntibisiganwa n'umwanya, umusi mukuru uguma ubandanya w'umuziki, w'umunezero n'icubahiro gihabwa Imana.

Mbeg'abatoranijwe basa gute hiyo hejuru? Ego! Abirabure, Abashinwa bose ni AKARORUHORE. Abafaransa, Abarusiya, Abayahudi, bose ni beza mw'Ijuru, kuko bose bahindutse ihanga rimwe musi y'Ubuntu bwa Yesu, Umwana w'Imana. N'igitangaza c'ukuri: nabibayemwo imisi 5 n'inusu (imisi yo kw'isi) turi kumwe n'abantu b'Imana mw'Ijuru.

Igihe ubugingo bwanje bwava mu mubiri wanje, bwaciye buduga. Ni mwibaze uko bwiyumvise! Kandi ni vyo bizobashikira ni mwapfa! Buno nyene ubugingo bwanyu buca butangura kuduga buja Muhira kwa Data. Kubw'ivyo, tuduze (n'abamarayika

2 twari kumwe), twaciye duca mu gihoro c'inzira kinini caca hagati y'inyenyeri n'amasi akorana n'izuba, turarengana izuba, ukwezi, n'inyenyeri, turabandanya turaduga hejuru cane, hejuru cane, hejuru cane. Twarajabutse hanyuma dushikira ikindi kirere.

Tumaze kurengana cane ico kindi kirere, twaciye tubona kure cane amamiriyoni n'amamiriyoni y'izindi nyenyeri zose zerekeje amaso yazo mw'Ijuru kandi ziririmba Icubahiro c'Umwami. Ego, izo nyenyeri zose zaririmba Ubunini n'Ubukuru buhebuje bw'Ukurema kwose kw'Imana nzima. Turacabandanya urugendo rwacu mu bunyarutsi bw'igitangaza. Ndaza kuvuga mu kanya urugendo rwo kugaruka kw'isi, kuko vyari bihebuje. Harashitse igihe rero, umumarayika w'Umwami aratubwira ati: *«Turashitse hafi»*. **Umwe wese muri mwebwe, bakundwa, azoba mur'ivyo bintu; igihe muzova kw'isi, muzogira urwo rugendo rw'igitanganza.**

Aho twari tugeze, hafi y'Ijuru, hariho imituragaro n'imiravyo: ukwasana gukomeye kw'imituragaro n'imiravyo ihambaye. Hose hari umuriro n'ibicu! Inkingi y'igicu n'inkingi y'umuriro, bimwe vyaherekeza Abisirayeli mu bugaragwa, ni ho vyari, neza na neza aho nyene! Umuriro n'Ubushobozi bwose bw'Iyo Hejuru ni ho bwari, aho nyene imbere yacu turiko turashika mu mazu y'icubahiro y'abacunguwe. Twaciye twinjira mur'urwo ruzitiro ruhebuje rw'igitangaza rukikuje Ijuru.

Twasize kure cane isi, ariko tumaze kuyivako, twahuye n'umwijima mwinshi w'umuzitanya. Aho hari hamwe abahinga baja kugendura inyenyeri bigera gushika igihe kimwe ntivyasubira gukunda na gato gutumatumanako n'abari kw'isi. Aho niho Satani aba kandi habera intambara zo mu mpwemu. N'ahantu h'intambara z'urutavanako. Iyo ntambara yatanguye igihe Rusiferi yashaka kwiringaniza n'Imana. Yaciye ahindirwa hanze y'ijuru, kandi uhereye uwo musi intambara zirabandanya, arikw amaherezo umumarayika w'Uhoraho azoherengeteza abamarayika b'umurwanizi gushitsa ku wa nyuma mu ntambara ya nyuma. Ariko tweho, turi abataha kwa Data! Ni isaha yo kurya!
Isaha iregereje yo gutaha i wacu mu gihugu co mw'Ijuru. Ni isaha yo kurya! Ubu birarangiye! Ubwo ni bwo butumwa bwa nyuma buzaniwe isi : ***« Nimuze muhira, mwinjire muciye mu muryango kugira ngo turye! Tugira tugende!»***

## *PARADIZO*

Tumaze kujabuka urwo ruzitiro rw'umuriro rw'ubwiza bw'igitangaza, twisanze imbere y'inzugi z'ivyuma z'uruzitiro rwo mw'Ijuru. Zaciye ziyugurura zitaburuye kugira ngo twinjire. Nuko rero duca twinjira mu gice ca mbere c'Ijuru, ahari abatsindanishirijwe, abakijijwe, bahariwe kubwo kwizera Amaraso ya Yesu.

Umumarayika yaciye ambwira ati : *« Aha ni muri Paradizo, ariko s'ivyo gusa!»*. Muri Paradizo nk'uko Sadhou Sundar Singh yahasobanuye, n'ahantu bigishirizwa ivyerekeye uw'ari we Yesu, abatari bigeze bumva na rimwe aho bamuvuga, canke ababayeho imbere y'uko aza kw'isi.

Umumarayika yaciye avuga ati igihe muronse umubatizo wa Mpwemu Yera, hanyuma mu kavuga mu mvugo y'Imana nk'uko Ijambo rivuga ngo : *« Inzuzi z'Amazi y'Ubugingo ziratemba ziva mu nda yawe. »* (Yohana 7 :38-39)

Ayo Mazi y'Ubugingo ava he? Atemba ava ku Ntebe y'Ubwami y'Imana! Neza na neza ku Ntebe y'Ubwami y'Imana ni ho Uruzi rw'Amazi y'Ubugingo rududubiza ruva, hanyuma bigaca bituma muvuga mu ndimi. Ni co GIKORWA cabaye ku musi wa pentekote. IMANA YARAKOZE IGIKORWA hanyuma umuntu acararonka Ubushobozi bw'IMANA NZIMA nk'uko YESU yari yarabivuze ati: *« Muzoronka Ubushobozi, Mpwemu Yera niyabazako. ».*

Kandi hariya imbere, har'iyindi miryango igira kabiri. Nta kintu na kimwe, OYA NTA KINTU NA KIMWE mwoba mwarigeze kubona kur'ino si COGERERANYWA N'UGUKAYANGANA KW'UBUKURU KW'URWO RWINJIRIRO RW'ICUBAHIRO RWO MW'IJURU. Iyo miryango yaciye yiyugurura hanyuma rero duca duhagarara duhoze kandi twumiwe imbere y'UGUKAYANGANA KW'UBUKURU KW'INTEBE Y'UBWAMI Y'IMANA. Yari nka hariya, Intebe y'IMANA NZIMA! Mbeg'umuntu ahagarara m'uruhande uruhe imbere y'Intebe y'Ubwami? Ntibikunda kw'ihabwa umugongo: IRI HOSE! IMANA NI IMANA!

Kandi aho, Imana, Data, yaravyagiye ku ntebe y'Ubwami kandi Yesu yarahagaze i buryo bwiwe. Umumarayika yaciye avuga ati: *« Ingo tujane».* Naciye ndamukurikira hanyuma na we aca anyereka hasi amakanda y'umuntu, hasi hose ni inzahabu, hanyuma aca avuga ati : *« Neza na neza aha ni ho Intumwa Paulo yahagaze ; aha ni Ijuru rya gatatu. ».* Paulo yari yarajanywe gushika mw'Ijuru rya gatatu, kand'aho nanje ni ho narimpagaze, ibirenge vyanje vyari bihagaze neza na neza mu makanda yasizwe na Paulo! Uku n'ukuri!

Inyuma y'ivyo, twaciye tubandanya dutembera gushika turabona Aburahamu. Naciye ndamubaza nti : *« Umaze igihe kingana gute hano Aburahamu ? »*. Yaciye anyishura ati : *« O ! Umusi umwe…Kumbure ibiri »*. Murabizi, imyaka igihumbi ni umusi umwe uri kumwe n'Umwami Yesu, aho rero tugereranije n'imyaka amamiriyoni n'amamiriyoni y'Ibihe Bidashira…Imyaka ibihumbi n'ibihumbi vya mbere mu Majuru biharurwa nk'umusi umwe! Aburahamu yaciye ahaguruka turaganira. Ibaze namwe! Naravuganye na Aburahamu, umwe yakira abamarayika bagasangira.

Hanyuma, naciye mpindukira nca mbona Yesu, Yesu! Yariko araza angana nanje nja iyo ari. Kuva ako kanya, naciye ntemberana na we tutavana kumara imisi itanu

n'inusu. Hanyuma, naciye mbona mama wanje anyegereye, yaciye andamutsa ati : *« Yambu Percy ! »*. Nanje nti : *« Yambu mama ! »*. Nari nararonse inzozi nyinshi zerekeye mama wanje. Yaciye aza aranyegera acarampobera. Yampoberereye mw'Ijuru! Hafi yiwe hari Mariya, nyina wa Yesu. Mama yaciye ansaba ngo nze gutamba ati : *« Ingo dutambane Percy! »*

Nanje, narinzi kw atigeze atamba na rimwe kw'isi, ariko ntacamubuza gutamba, n'uko gusa atanashobora kuvyiyumvira. Abavyeyi biwe bari abakristo b'ukuri bo mw'ishengero ry'ababatiste. Mama wanje yar'umuhinga mu gucapura: yari yaracafye ibintu vyiza ku bibambazi vy'inzu yacu nini, hanyuma papa na we aca ahashirako umusaraba. Ahantu hose papa yagenda ahashiraho umusaraba kugira ngo ntituzokwigere tuwibagira na rimwe. Papa yifuza ko nzoba umuganga, mama na we akifuza ko nzoba umumisyonere, kuburyo nashikije ivyo bifuza bose.

Rero, hariya, twaratambanye, jewe na mama wanje ; ibirometero 3000 vy'impera n'iyindi y'ikiyaga c'ibirahuri, tugenda dutambana kandi turongera turagaruka dutambana kuri ico kiyaga. Ukwo ni kwo gutamba kw'ukuri! ***Ukwo ni kwo GUTAMBA kw'ukuri! Ivyo vyose mu minota 4 n'inusu***. Ukwo ni kwo KOKO GUTAMBA NYA GUTAMBA! NIMWITEGURIRE NAMWE GUTAMBIRA HIYO HEJURU MW'IJURU! Mw'Ijuru, intambo zaho ni AGAKURA MUTARIGERA MUBONA NA RIMWE!

## *UKUGENDURA IVYO MU BWAMI NDI KUMWE NA YESU*

Hanyuma y'ivyo Yesu yanjanye hejuru y'ico gisagara, ico gisagara cicapuye nk'ikwadarato itunganye. Kugira ngo tuduge hejuru, twafashe imodoka yo mw'Ijuru. Dushitse ku gatwe k'ico gisagara, naciye ndorera ibirori vy'agahebuza. Yesu rero yaciye anyereka inzu yanje, ku birometero 1500 musi y'aho twari turi hejuru. Naguma nihweza ico gisagara, Eliya na we nyene yari iruhande yanje. Eliya yaduganywe mw'Ijuru mu mikogote yaka umuriro. Mw'Ijuru, uburyo bwo kwiyunguruza ni iyo mikogote mwiza y'igitangaza, imeze kurya nyene kw'imwe Eliya yagenderamwo aduganywe mw'Ijuru. Ifise ubwiza burenze urugero. Ku gatwe k'igisagara, aho ni ho nari, Yesu ahagaze iruhande yanje.

Ni mwibaze namwe uko gushobora kubona neza ibiri kure? Ku birometero birenga 500 000, inzu (ubwiza bwazo busumba kure ibirimba) zari zitondetse ku mirongo, zimanuka, ubwinjiriro bwazo zose bwari bwerekeje ku Ntebe y'Ubwami y'Imana.

Hanyuma, naciye ntangura gutembera mur'izo nzu nziza z'akataraboneka, ndagendera abagenzi banje twari tuzinanye ino epfo kw'isi. Uwa mbere nabonye yari **Smith Wiggleworth.** Twari tuzinanye cane kuko, hari haheze imyaka ndamuherekeje mu bikorane vyo Gukwiragiza Ubutumwa bwiza. Mu gihe

yasengera abarwaye, yakora ikintu ntarigera nkora kuko ntagukoporora uwundi Mukozi w'Imana.

Turi musi y'ihema muri Kaliforniya, haje umukenyezi yarafise igihute ca kansere hagati y'ibitugu. Smith yaciye afata ico gihute mu biganza vyiwe aca aravuga ati : *« Wa gihute ca kansere, ndagutegetse sohoka umuvemwo.»* gica kiragenda. Ivyo nari narabibonesheje amaso yanje. Kure cane y'aho, naciye mbona Intumwa Paulo hamwe n'inzu yiwe. Izo nzu nziza zose zari zifise bene zo! Igisenge cazo nticari gisakajwe n'amategura atukura ashaje : umutamana w'Umwami Yesu ni wo uzifutse. Kandi kur'imwe yose, urashobora kubona inyenyeri : izo nyenyeri zerekana imitima umuntu wese yungukiye Umwami Yesu. Agasongero k'izo nzu kari kagizwe n'igitsibo c'Ubwiza.

Yesu yaciye anjana kure cane gose acanyereka ikintu gitangaje cane gose : IGITSIBO azokwambara amaze kuza gutora Ishengero ryiwe, kuko ni twebwe tuzokwambika igitsibo YESU! Tuzomwambika igitsibo c'UMWAMI W'ABAMI UGANZA ABAGANZA ku musi mukuru w' *« UBUKWE BW'UMWAGAZI W'INTAMA »*. Murifuza kuzoba mur'ivyo Birori vy'Ubukwe bw'Umwagazi w'Intama? Muratumiwe koko! Ijambo ry'Imana rivuga riti : *« Yanyinjije mu nzu y'Ubukwe kandi ibendera ryiwe kuri jewe, n'urukundo ».* Nari mu nzu y'Ibirori hanyuma acarambwira ati : *« Akira icamwa, Percy! »*
Mu kanya nk'ako gukubita urugohe, imeza zaciye zitereka ngaho, zose zuzuye ivyamwa, kandi aho mw'Ijuru, abacumbagira, impumyi, abakene n'ababababaye ariko bavutse ukundi gusha bazokwicarana na Yesu kur'uwo musi w'Ibirori. Igihe nari ntoye icamwa, buno nyene ikindi caciye kiza gisubira hamwe nakuye ca kindi. O ! Ntituzokwongera kwibaza ko haboneka ibidukwira twese! Ijuru n'ahantu h'umusesekara. Ni igihugu gisa neza kandi c'ubwiza!

Yesu yaciye anyereka ahakoranira « ***Inama nkuru y'Imana*** ». Ego, vyose bitondetse neza mw'Ijuru. Mu Mana n'urutonde s'umuvurungano. Yesu yaciye anjana iruhande y'Ikiganza c'ibubamfu c'Imana, hanyuma ico Kiganza kingana amahero c'Imana Yera caciye kimanuka, Yesu acarambwira ati: *« Kijeko hejuru. ».* Naciye ndakijako hejuru nca nicara mu cicaro c'Urukundo, ***Icicaro c'Urukundo***! Kuva mbaye mur'ubwo buzima, ntakindi nshoboye atari ugukunda, gukunda abantu bose. Hanyuma naciye nicara mu cicaro c'Ukumenya, n'icicaro c'Ugutwara, ic'Ubwenge, ivyo vyicaro vyose musi y'Ikiganza Cera c'Imana. Yesu yanyicarika mu cicaro cose. None noba nkinsubira gute kuba wa wundi? Biragahera !

Hanyuma mvuye kur'ico gicaniro, Yesu yaciye anjana ku Ntebe y'Ubwami ya Data. S'akantu gatoya : ibirometero 750 (km 750) vy'ingero yo kw'isi uhereye mu bwicariro bw'iyo Ntebe y'Ubwami ugashikana hasi hayo. Musi y'iyo Ntebe y'Ubwami numvise amamiriyoni n'amamiriyoni y'amajwi asenga ati : *« Tuzogeza ryari kurindira ? Kugeza aho, o Mwami, uzokwihora ABANSI bacu! »*. Yesu yaciye ancisha mu nzira y'ubwiza bw'agakura iri imbere y'Intebe y'Ubwami. Ndi mur'iyo

nzira nduga hejuru negera iyo Ntebe y'Ubwami, numvise nguye hasi nca ngwa mpfukamye mu Bwiza bw'Imana. Sinashoboye kubona mu maso hayo, kuko ni inyuma y'Ukuduzwa kw'Ishengero honyene bizoshoboka kuyiraba mu maso, ariko narabonye ibirenge vy'ayo. Twarabwiwe ko **isi ari indava y'ibirenge vyiwe.**

Yaciye Ivugana nanje Irambwira Iti : *« Ni vyiza, mukozi mwiza kandi w'umwizigirwa. ».* Mbeg'inkuru! Imana yaravuganye nanje, jewe, mw'Ijuru! Nk'uko yavugana n'Abavugishwa n'Imana mu bihe vya kera, kurya nyene ni ko numvise Ijwi Ryayo. Hanyuma naciye manuka mva imbere y'Intebe Yayo y'Ubwami. Hanyuma Yesu yaciye ambwira ati : *« Ubu, ngomba ndakujane gushika ku yindi nkombe y'Uruzi rw'Amazi y'Ubugingo. ».* Uruzi rw'Amazi y'Ubugingo ni ikiyaga gipima ibirometero 300 vy'ubwaguke, urwo ruzi rutemba ruva musi ya ya Ntebe y'Ubwami imbere y'Igicaniro c'imibavu c'Imana nzima. Urwo ruzi ruratemba gushika ku mpera y'Ijuru, ahari wa muryango w'ubwiza bw'igitangaza, munini cane w'amahero akaba ari na wo uruzibira. Umusi umwe, Imana izokoza Ikirenge Cayo kur'uyo muryango hanyuma Iwusunike. Kandi Igira Yugururе urwo rugomero ruhambaye, kandi niyabikora, hazoca haba UKWASANA, kwa KWASANA GUHAMBAYE! Mpwemu w'Imana azonyengetera yinjire gushika i bwina mu bwigobeko bwinyegeje…Hanyuma wa Murwanizi azoca yirukanwa mu kibanza ciwe. Ndiko ndajabukana urwo Ruzi na Yesu, yaciye aramvura Ikiganza Ciwe acayamura icamwa ku giti, ca giti cama ivyamwa vy'ubwoko 12 buri mwaka. Yaciye akimpa ndagifungura : SINZOSUBIRA NA RIMWE KUBA WA WUNDI !

Maze gushikira inkombe, yaciye antwara imbere y'Umuriro wakira ku Gicaniro. Mbeg'umuriro! Ngira ndababwire ingene imibavu iduga gushika ku Ntebe y'Imana. Buri kanya, utuzi dukeya two muri rwa Ruzi duca dutarukira ku Gicaniro ivyo bigatuma habaho umuhisha w'ukurabagirana kumena amaso ukaduga uva ku Gicaniro. Uko ni ko bigenda neza na neza, hanyuma rero Umubavu, mur'ico Gicu, ugaca uduga ugashikira Data. Yesu yaciye yokora aho nyene ikara riturira n'Ikiganza Ciwe aca aritereka ku rurimi rw'umutima wanje !... NI GUTE NOSHOBORA KUBA WA WUNDI NYENE ? BIRAGAHERA ! Ndi hano hepfo gusa kw'isi kubw'intumbero : **kurungikira buno Butumwa isi.** Ndabazanire igishika c'urukundo c'abari hiyo hejuru mw'Ijuru. Ni ibiki vyongera kunyereka Yesu ? Ubwenge, Ukwera…Ubu narabibonye bihagije ku buryo ntanguye gutahura! Yanyegereje idirisha rinini cane ringana amahero aca ambwira ati : *« Ngira ndakumenyeshe icari co Uguhoraho. Ndaguhaye amaso akwemerera kubona ku birometero n'ibirometero… »*

Nta karimbi, nta rupimo, kandi nta herezo uri kumwe n'Imana. Yesu yaciye avuga ati:

– *« Ngah'aho Data na Jewe dukomoka…si Data, ariko DATA NA JEWE. »*, mu Guhoraho.
– *« Yesu, ndakwinginze, nsigurira kandi ibindi biri iyo bihera. »*

- *« Ubundi buremyi, n'ubundi buremyi butagira igitigiri. Twaje hano kugira ngo tureme iri Juru risha ry'igitangaza, kugira ngo twubake runo rusi rushasha ku bwanyu, ahantu abacunguwe bose bakoranye, bazoba mu bwiza bw'Imana yabo… »*

Hanyuma, We nanje twaciye tubandanya tugenda gushika dushikire ico yambwiye ko ari « **Ikiyaga co Kwibagira** ». Mwarumvise bakivuga muri Bibiliya. Hariho ahantu, hanganya ubunini n'igisangara ca Saint-Louis, aho ibintu vyose bibikwa mu masanamu, mu majwi canke mu nyandiko. Aho ni ho n'imishatsi yo ku mutwe wacu iharurirwa nk'uko Yesu yabivuze ; mu yandi majambo agashatsi ko ku mutwe umw'umwe wose karaharuwe n'Imana.

**Igihambaye cane n'uko, amajambo yose tuvuga mu buzima bwacu bwose ari ho aza arafatirwa amajwi igihe cose tuyavuze agaca abikwa aho hantu. Ijwi ryose rigize ico risohora, ico kintu kirandikwa. MUVYIZERE !** Igihe rero hazoshika umusi uhambaye wo guca amateka kw'Imana, iyo mw'Ijuru, ubwo bwonko bunini cane bungana amahero buzoca butererwa i bwina muri ca kiyaga kandi nta Mana canke umuntu azosubira kuvyibuka UKUNDI.  IKIYAGA CO KWIBAGIRA…HALELUYA !
**Ni bande mushaka kuja mw'Ijuru ? Duza ibiganza vyanyu ! Ni vyiza !**
Yesu yabandanije anyereka Ijuru ryose n'ibirimwo. *« Wumva ushaka kuraba ahategurirwa amakanzu y'ubwiza bw'akataraboneka kubw'urya musi Mukuru w'Ubukwe bw'Umwagazi ? Izo mpuzu zikorerwa he? Ni hariya; aho udashikana amaso, abamarayika bari mu bikorwa vy'akazi ko gushona! »*

O! Muzokwambara impuzu nziza cane gose, bashikanje! Reka ndababwire ikintu kimwe : **NTACO BITWAYE IKIGUZI WORIHA KUGIRA NGO USHOBORE KWAMBARA IZO MPUZU NZIZA !** Ni igikorwa kidasanzwe c'abahinga ba karuhariwe ntarigera mbona mu gushona no gutaka impuzu. Zose zikaba zihingurwa n'abamarayika. Ni impuzu z'ukuri, kandi umwe wese azohabwa rwiwe ! Tuzoba dutatse mu buryo budasanzwe bw'igitangaza. Ni vyo koko Mpwemu Yera ni we Gitako co mu buryo bw'impwemu ariko kandi tuzoba twambaye iyo mvune yera ikayangana kandi itanduye.
Inama nkuru y'Imana yari yakoranye, Yesu aca aranjanayo.

- *« Percy, ubu ugira ugenwe mu mabanga.»*

Kugenwa mu mabanga…MW'IJURU !...Yaciye anyicarika hagati y'abari bar'aho. Abamarayika bakuru bari bahagaze bankikuje. Ba bavugishwa n'Imana b'igitangaza bari bankikuje. Harimwo Eliya, n'abandi…Jewe nari nibereye hagati, najanywe na Mpwemu Yera ubwiwe. Ni Umuntu pe. Naravuganye na We. Ndi mur'ico kibanza, Yesu yaciye ampa inyigisho zigizwe n'amapfundo ijana atarenga ntarenguke ngo ndazizanire isi. Naramenyeshejwe aho Kayini yakuye umugore. Nasanze izo nyigisho ari zo nyishu z'ivyo abana b'abantu bashikako ntibaronke inyishu bikaguma ar'amayobera. Ivyo vyose nabimenye igihe nari nicaye mu cicaro c'Ubwenge.

- Umwami Yesu yaciye avuga ati : *« Rambika mwese ibiganza vyanyu kuri Percy ! »*. Ibiganza bica biraza bivuye hirya no hino bica bimpurirako ; harimwo ivya Paulo, ivya Aburahamu, ivya Eliya hanyuma Yesu na We aca arambika Ivyiwe mu ruhanga rwanje.
- *« Ugiye gusubira kw'isi. »*
- *« None ni ngombwa ko ntegerezwa gusubira kw'isi ? »*
- *« Ego, ugira usubireyo kugira ngo ujane buno Butumwa ! »*

Mur'ako kanya nyene, ishusho yanje n'umutima wanje vyaciye bicika umubiri bica bituma nshobora kubona ibiganza vyanje vy'ukuri, n'umubiri wanje w'ukuri. Yesu aca arongera arambarira ati :

- *« Ni wagaruka, uzozanana n'umubiri wawe ! »*

## *IGARUKA RYIWE KW'ISI*

Nko mu kanya isase haca hatangura igikorane c'agakura c'indirimbo n'umuziki w'ibicurarangisho vyo mw'Ijuru, hanyuma kandi, bukwi na bukwi, nisanga mpagaze bwa musoda. Yesu aca arambwira ati : *« Ubu nugende. Wihanganire imibabaro nk'umusoda w'umuhizi. »*. Ako kanya haciye hatangura ibihe vyo kunsezera ntazokwigera nibagira. Hari vyinshi vyo kuyaga ! Mu mwanya, nari mu cumba kandi nategerezwa kuza hano kugira ngo ntange kino kiganiro igihe c'isaha imwe n'inusu y'ijoro, ariko mu cumba canje, hariyo abamarayika, bariko baravugana nanje, nari nryohewe. Sinifuza na gato kuva mu cumba canje.

Hanyuma rero, iyo hejuru bose baciye batangura kumbwira bati *« n'agahindukira »* : abamarayika, ba sogokuruza bose, abantu bose badasanzwe bo mu Bwami bwo mw'Ijuru baciye bose bansezera, banyifuriza amahoro, bose hamwe bahagaze imbere y'Intebe y'Ubwami y'Imana. Mama wanje, yari muri bo, aca aransezera, hamwe n'Abamarayika bakuru. Mw'Ijuru ni ahantu h'ubwiza, h'ubwiza burengeye ukwiyumvira kw'umwana w'umuntu, kandi ata ko bwosobanurwa. Vyose ni ho biri, mu bunini bwaryo, no mu cubahiro caryo!

Hanyuma naciye ngenda nerekeje ya miryango y'ubwiza bw'agakuru, umumarayika w'Uhoraho n'umumarayika wanje bari kumwe nanje: naciye nguma ntamariye ya Ntebe nini yera y'Ubwami ic'ibibatsi vy'umuco ifise isonga ry'amabara menshi: ya mabara indwi agize umunywamazi. **Mbeg'ingene Imana yacu ari nini n'ingene Izina Ryayo ari rikuru!**
Twaciye dutangura kumanuka. Mbeg'igitangaza! Mu nzira twaza turahura n'imitima yarije mw'Ijuru! Twarahagaze turavugana n'imwe mur'iyo. Hariho umugabo umwe twabajije duti :

- *« Wakora iki kw'isi ? »*

– *« Nari umukristo nd'umwe mu muryango wanje wose (wo mu gisagara ciza cane gitunze), O ! Nimba mumanutse, muze mubwire abo bantu ko mwambonye. ».* Yaciye ampa izina ryiwe.

Tukibandanya tugaruka, twarahuye kandi n'imitima yariko iragira urugendo rwayo rw'amasaha atandatu gushika mw'Ijuru. Yaduka mu buryo bw'umwe umwe ku giti cawo, atari mu kigwi, ariko havuye imitima imwe hakurikira iyindi, uko abizera baba bahejeje gupfira mu Kwizera mu Mwami Yesu. Nk'akarorero, twarabonye abigeme babiri. Umwe yarafise imishatsi yirabura, uwundi na we yarafise imishatsi isa n'umugina. Twaciye duhagarara turababaza duti:

– *« Bigeme, bigenze gute ko muduze kare mw'Ijuru, mukiri bato ? »*
– *« Imibiri yacu yapfiriye mw'isanganya, ryo kw'ibarabara ryo muri Kaliforniya. Twese twari twuzuye Mpwemu Yera none turanezerejwe cane no kuduga tuja ku Mana! O! Mubwire mama wacu ntasubire kurira, kuko yasaraye no kurira. »*

Buri musi, inkuru z'ibiriko biraba kw'isi zirashika mw'Ijuru, kand'igihe cose umutima wihanye, inkengeri zo mw'Ijuru zica zivuga. Kandi n'Ubwenge bw'Imana butwigisha kuzana imitima ku Mwami Yesu.

Twaciye dushika kw'isi. Nca nsubira mu mubiri wanje, kandi mumenye neza ko umubiri wanje ufise amagara meza: ubu mfise imyaka 82. Bukeye bwaho twagiye mw'isengero ryo muri Kaliforniya y'epfo hanyuma nca mvuga ba bigeme 2 nabona. Hagati mw'ikoraniro, haca hahaguruka umugore atangura GUSIMBASIMBA avuga ati: ***« NI BA BAKOBWA BANJE BABIRI! NI BA BAKOBWA BANJE BABIRI! MWARABABONYE! HALELUYA!*** *Ejo tuzobashingura. Kubw'ivyo, tuzoririmba indirimbo y'Isiyoni mur'ivyo birori. »* Ukwo ni kwo kwirurwa, ayo majambo yariruye uwo muvyeyi.

– *« Mwiruranishe aya majambo »*

Uwirura ni Mpwemu Yera. Yesu yavuze ati :

– *«Umwitsa niyaza, Azobarōngōra abashitse k'Ukuri kwose »*

O ! Mpwemu Yera w'Igitangaza! ***«NTAWOSHOBORA KUVUGA NGO : YESU N'UMWAMI ATABIVUGISHIJWE NA MPWEMU YERA».***

Kandi natwe, ubu turashobora kuvuga *« **ururimi rw'Imana.** ».* N'uruhe rurimi bavuga mw'Ijuru?

Naravuze ururimi rwo mw'Ijuru kandi ndanatahura neza ic'ayo majambo navuze asobanura. Iyo hejuru mw'Ijuru, s'icongereza, igifaransa canke ikidagi bivugwa. Muvuga ururimi rw'Imana kandi murashobora kurwiga ino epfo kw'isi. Murafise ishure ryarwo ngaha nyene kw'isi. Haleluya!

Barwiga gute? Muj' imbere y'Imana mugapfukama hanyuma mukareka amajambo akadudubiza ava munda zanyu : ukwo ni kwo biga kuvuga indimi bavuga mw'Ijuru. Ukwo n'ukuri kuzima.

## *UBUTUMWA*

Kwiragiza ubu Butumwa kuko Yesu yavuze ati : *« Ubu Butumwa bwiza buzovugwa hose gushika kumpera z'isi. »*
Mw'Ijuru, turashobora kubandanya kwiga, hariyo Icirwa kinini c'ukwiga. Gutyo abatigeze bashika k'ukumenya kuvuga mu ndimi aha kw'isi bazobimenyera iyo hejuru mw'Ijuru.

Ariko murondere mudatevye ubwo Buntu, tangura muvuge ubu nyene Ururimi rw'Imana…Naravuganye n'Abamarayika bakuru bakorera Yesu, batwara ivyaremwe vyo mw'Ijuru birenga 4000 bijejwe kwubaka *« **amazu** »*. Bakora igikorwa kitagira agatosi. Imana yavuga iti : *« Birakwiye ko diyama ija harya. »*. Buno nyene ikiganza c'ubwiza kigaca kiza kigashiraho ka kabuyenge ka diyama aho gakwiye kuja…

Twari duhagaze hejuru, dukikuje uwo murwa ; wicapuye nk'ikwadarato itunganye. Twaratamariwe twihweza imirongo y'amazu y'igikundiro, kure ah'amaso adashika, narabona kw inyubakwa zibandanya kandi n'izindi nyinshi zikiriko zirubakwa.

Narabonye mu Buhindi inyubako yitwa Taj Mahal, naranabonye n'izindi nyubako zihambaye cane kur'ino si ; *NTA N'IMWE MUR'IZO YOGERERANYWA N'INYUBAKO Z'IGITANGAZA YESU YADUTEGURIYE.*

## *ABANA*

Mw'Ijuru, ikibanza kinini cagenewe abana *« Kuk'Ubgami bgo mw'Ijuru ar'ubg'abameze bartyo. »*.
IMANA NTIYIRUKANA NA RIMWE UMWANA, nah'ivuka ryiwe ryoba ryakikujwe n'ivyaha bingana gute, kuko kuri bo harih'UGUCUNGURWA. Nta co bitwaye uko nyina yoba ameze, ntaco bitwaye ivyo nyina yoba yarakoze canke yarakorewe, ubuzima ni UBUZIMA. Ubuzima bw'umwana avutse apfuye ni ubuzima. UBUZIMA BW'INDA IKOROWE CANKE IKOROTSE NI UBUZIMA.

Ubu rero ngira ndababwire ivy'abana batoya bari mw'Ijuru, ni vyiza cane! Imana yongera kubagira bazima hanyuma igaca ibaha gushikira igikuriro c'umwana w'imyaka 8 gushika ku myaka 9. Basa neza cane mu buryo buhebuje. Ego, abana batoya baraduga mw'Ijuru. Mwibuke ico Yesu yavuze : *« Ni mureke abana bato, ntimubabuze kuza aho ndi, kuk'ubgami bgo mw ijuru ar'ubg'abameze bartyo. »*

Yaciye abwira umwe ati : *« Nyegera. »*
Abahamagara mw'izina (kuko abadafise amazina Yesu aca ayabaha), uwo mwana yaciye yegera aca yicara ku bibero vya Yesu. Umwana yamaze gusamwa inda,

ubuzima bwiwe ntibushobora kwicwa ; aca aduga buno nyene mw'Ijuru. Ubuzima bwatanguye ntibushobora guhagarara kuko Imana ari yo Ibutanga.

***Abana bose bakorotse canke bakorowe ari inda bari mw'Ijuru.*** Bari hariya bari kumwe na Yesu. O ! Vyari ivy'igikundiro! Yaciye atangura kubahamagara, Mpwemu Yera agaca abazana kandi nanje ni ho nari, niteguye kubakira ngo ndabarere ku bibero vyanje; hanyuma haciye haza umwe, babiri, batatu gushika n'aho atakibanza kikiboneka co kubarera. Abana bato buzuye urukundo. Ijuru ryuzuyemwo abana, Ijuru ryuzuye urukundo.

Reka ndababwire ibintu bitari bike kandi bitangaje kuvyerekeye abana bato b'ABIRABURE. Wabaye umuhamagaro wanje wo kujana Ubutumwa bwiza ku bantu bafise urukoba rwirabura kandi ndabakunda. Hiyo hejuru mw'Ijuru, nari kumwe n'abo bana. Naciye mpamagara babiri nti: *« Nyegera ».*

Baciye baza buzuye ibitwenge mu maso habo.
O! Mbeg'ukumwenyura kw'abo! Ndiko ndabaraba, numva nshwarwa n'umunezero wo kuba mw'Ijuru.

Uteruye akana k'akirabure, wumva harimwo igishika cinshi cane, kaba kuzuye urukundo rurenze urugero. Uwo mwana aca aza mu biganza vyawe, abazi koko icari co urukundo kuko BABA BARARUNYOYE MU BIHE VYA KURE CANE. Si ngombwa murondere amajambo, babaganiririsha amaso.

Narashobora kuganiriza abahindi n'amaso yanje, nari navyigishijwe. Bavuga bakoresheje indabo kudusumvya, kandi turashobora kubitahura. N'ingabire bahawe n'Imana.

Mu gihe nari nkiri mw'Ijuru ndi kumwe n'umwe muri ba bana b'urukoba rwirabura na we andabisha amaso yiwe y'akaroruhore, yaciye amvugisha. Murazi ico yaciye ambwira: *« Ndagukunda, ndagukunda! »*
O! Muzoba namwe mur'ivyo bintu nyene ni mwashika iyo hejuru. Mu bihe vyose bitazoshira, muzoronka umwanya wo kunezerererwa kubabona. Yesu arabakunda, Akanabaterura, *NI IGITANGAZA* !...Kandi mubumvise bariko bararirimba, baririmba mu ndimi zo mw'Ijuru, kandi bose bari m'ubumwe hanyuma bakaririmba bati : *« Wera, Wera, Wera n'Umwami, Ashobora vyose ! »*

## *UGUSANGIRA N'ABANDI*

***Ndabinginze mwimure amakasete y'aya majambo, mwimure n'ibi vyanditswe hanyuma mubirungike hose. O! Mubikore kukw ico gikorwa kizana imitima myinshi ku Mana kuko Ijuru ririho vy'ukuri!***

Haraciye igihe, nganiriye n'umuhakanyi, i Florida muri Reta zunz'ubumwe za Amerika, hanyuma arambwira ati:

- *«Ndumuhakanyi »*. NAGUYE MU GAHUNDWE KUKO SINIBAZA KW'IVYO VYOBAHO.

Arabandanya ati:

- *«Murazi, iyo umuntu apfuye, bamushira mw'ivu, vyose bikaba birangiye kandi nta kintu na kimwe gisubira kubaho mur'izo nkuru z'ubuzima budashira. »*

Nanje ndaheza ndamwishura nti:

- *« Dufate, Mushingantahe, kw inyuma y'urupfu rwawe, wikanguye wisanga mu mbeya z'umuriro urik'urababazwa…Wishize mw'IRINDE RITEY'UBWOBA! »*

Yaciye yigirwa imbere gato, acarahindukira, nanje nca ndasemerera nti:

- *« Wibuke ivyo nakubwiye !»*

Inyuma y'igice c'isaha yaciye agaruka acambwira ati :

- *« Niyumviriye ku vyo wambwiye….Uvuga ko wagiye mw'Ijuru? »*
- *« Ego, naragiye mw'Ijuru. »*

Acarongerako ati :

- *« Uzwi nk'umuntu w'umwizigirwa. »*
- *« Ni vyo koko, kuko aho mba abantu barazi ko nd'umwizigirwa. »*
- *« Uremeza neza koko ko wishikiye mw'Ijuru? Waragiyeyo… ».*

Yahindura ahindukiza ico kibazo mu mpande zose. Nari namaze kumuhungabanya koko. Nanje ndabandanya nti :

- *« Uriko uta ubuzima bwawe mu kaga kadasanzwe, ahubwo niwitegurire umusi uzoshikira m'urundi ruhande atari mu Muriro. »*

Haheze imisi bambwiye inkuru ziwe.

Inyuma y'ico kiganiro, yaciye yihana arakizwa none ubu yuzuye Mpwemu Yera. Vyose biri harya handitswe ngo : ***«Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, nanje nzomwaturira imbere ya Data wo mw ijuru. »*** *(*[Matayo 10 :32](Matayo 10 :32)*)*

REKA TWAKE AKARYO KOSE UMURWANIZI. TUVUGE IVYA YESU. Nunguka imitima mu buryo bworoshe biciye mu biganiro ngira mu ngendo zanje, mu kuvuga ivya Yesu. Murafise mwese igikorwa kidasanzwe co kubwira ubutumwa bwiza abo babakikuje. Yesu ategeka ngo: *« **Babwire ntibatakaze akaryo na kamwe ko kumvuga aho bazoja hose. Uko ushoboye kwose umvuge; nanje Nzokuvuga.** »*

Yesu arabikora. Narabonanye n'umusore umwe yabikora uko kandi vyamutera kwunguka imitima myinshi, kubw'ivyo, afise inzu mw'Ijuru. NTIMUGACIRE IMANZA UBURYO ABANTU BAVUGA UBUTUMWA, CANKE NGO MUCIRE IMANZA ABANTU, KUKO NTABURENGANZIRA TUBIFITIYE, NTA CITWAZO NA KIMWE CEMEWE CO KUBIKORA. Umucamanza n'Imana. Mw'Ijuru, Intebe y'Ubwami y'imanza ni Icicaro c'ubutungane ata wundi acicaramwo, Icicaro gica izibereye, Icicaro gihora gihangamye ibihe vyose.

Reka nsubire mvuge ku bo twavuganye mw'Ijuru. Umusi umwe umugore wo mw'idini rya Katolika yambajije ati :

- *« Waravuganye n'Umugabekazi w'Ijuru ? »*
- *« Naravuganye na Mariya, nyina wa Yesu »*

Kubw'ivyo, naciye mpabwa ubutumire bwo kuja i Roma ngo mbonane na Pāpa; ndatumiwe kumushikiriza ubu Butumwa. Kuko kiremwa muntu wese aribaza kur'ivyo bintu akavyiyumvirako.

Umukuru w'idini mu Buhindi yaraje arandondera kugira ngo ndamubwire ivy'Ijuru. Muca mubona ukuri ko umuntu wese arondera kumenya amakuru y'ivy'i bwina kukw azi ko HARIHO UBUZIMA INYUMA Y'URUPFU.

Uwo mupatiri w'umuhindi yaciye ambwira ati:

- *« Ndazi ko hariho ubundi buzima, ariko turahinduka tugacika inyoni, canke ifarasi, canke inka… »*

Yaciye afata akanya aranyumviriza nanje nca ndamubwira nti:

- *« Nyumviriza neza, si ndi INYONI, sinakomotse mu NKENDE, ariko ndashobora kukwemeza ikintu kimwe…Narishikiye mw'Ijuru, mugenzi, ibi vyose n'ukuri kuzima. Urafise umutima kandi umutima wawe uzoja mw'Ijuru niwahura ino epfo kw'isi na Yesu Kristo akakubera UMUKIZA. »*

Kumbe, na we ubwiwe ntiyemezwa neza cane n'ivy'idini ryiwe hanyuma acarambwira ati:

- *« Nimba amasengesho yawe afise ubwo bubasha, nsengera rero. »*

Aca yunamika umutwe nanje nca ncakira ako karyo keza.
Ntiyicura na mba ko hari igihava kimushikira. Nca mfata izosi ryiwe ndarishira hagati y'ibiganza vyanje, nca ntangura gukunguta umutwe wiwe ndawusohoramwo inyoni zose, inzoka, ibitungwa vyose…Maze kurangiza, naciye ndamuraba; yasa n'uwumaze guhindura ivyiyumviro.

- *« Mbega nshikiwe n'ibiki? Ndiko ndadegezwa wese! »*
- *« Ni ubushobozi bw'Imana buri muri wewe. Urashobora kuvuka ubwa kabiri. »*
- *« Bandanya, shishikara kandi, niyumva meze neza cane. »*

Hanyuma nca ndabandanya nsenga gushika aho mu nyuma yavuze ati:

- *« YESU, YESU »*

O! Uwo mwanya, nari ntsinze urugamba. Amaze gutangura kwatura izina ry'Umwami Yesu, urugamba rwari rurangiye. Aca arakira Yesu. Uwo mugabo yizera ko mu gihe kizoza azocika inyoni canke inka, yari yamaze gutahura ko hariho ubundi bugingo hirya iyo bihera. Yaciye aba umwe mu bagenzi banje kuko nari namaze kurungika ukwizera kwanje mu buzima bwiwe.

Turafise itegeko ryo gutegekesha ubushobozi, dutegerezwa gukoresha ijambo ryo gutegeka kugira ngo dusangangure ivyiyumviro vy'Umurwanizi, ivyiyumviro yateragiye mu mpwemu z'abantu. Reka tubikore, DUSANGANGURE UKO BABONA

IBINTU hamwe n'ivyo yubatse mu vyiyumviro vy'abantu. DUTONDE URUGAMBA, KUKO UMURWANIZI ARIHO KOKO!

Reka nsubire gato mvuge ivyo mw'Ijuru. Naravuganye na bamwe bakorana na Yesu mu gikorwa co kwubaka amazu yo mw'Ijuru. Ese ukuntu ari nziza, narabonye ibicapu vyazo. Hariho ibicapu bikurikizwa mu kwubaka ! Umuhungu wanje n'umuhinga mu kwubaka, yarubatse inzu nyinshi z'urusengero, ni co gikorwa ciwe. Ariko nta ho zisa zisana izo tubona kur'ino si n'inzu ziduzwa hiyo hejuru mw'Ijuru.

Ivyo bintu vyose Yesu yabiteguriye mwebwe. Mw'Ijuru, vyose atakivuyemwo biri mu Biganza vy'Imana ; ni ko biri, vyashinzwe uko. Nta n'umwe azogira ico yongeyeko. Nta n'umwe azoza kugenzura uko inyubako zifashwe canke ngo agire ico abaza. OYA NA RIMWE ! ***Imana yaratangaje ku mugaragaro ko ari ku buntu!***

Ikirimwo gihimbaye mur'iryo jambo, n'uko ar'uburenganzira bwawe bwo kwinjira mur'izo Ngora zo mw'Ijuru; Yesu yarakurihiye i Kalvariyo ivyo wasabwa kugira ngo winjire. Igihe Amaraso yiwe yariko araseseka ku Musaraba, Yesu yariko araturihira ngo twinjire jewe nawe. ***« Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w'ikinege, ng'ūmwizera wese ntaz'apfe rubi, arikw ahabge ubugingo budashira. »*** (Yohana 3 :16)
Ni co kiguzi Imana yari yararemye. Vyabaye ngombwa k'Umwana w'Imana abambwa ku musaraba, kubw'ivyo yarabambwe, Amaraso yiwe yarasesetse hanyuma akorokera kw'isi : kiba kibaye ikiguzi mwotanze kubw'ivyaha vyanyu, ariko kandi kiba n'ikiguzi kibahesha izo nzu z'agakura zo mw'Ijuru. Vyose birarangiye, vyose biratorewe umuti. Inzu y'agaheta mu bwiza woshobora kurota mu vyifuzo vyawe iri hariya hejuru mw'Ijuru, kandi warayihawe. Urashobora kuyifata vyoroshe biciye mu gukorera Imana in'epfo kw'isi. Ni ku buntu, ni ryo bwirizwa ntahindurwa ry'Ijuru. Ijuru ni akaroruhore!

Narumvise ijwi ry'Imana, Data. Nka kumwe yavugana na basogokuruza…Yavuganye nanje nka kurya nyene…Ndazi iyo mba…Ndazi neza na neza iyo ubuzima bwanje buri, mbana n'Imana, na Yo umurango n'ijoro.

Rero narumva igihe Imana Yatanga amategeko Yayo Iti:

- *« **Nshaka izindi nzu ziyongera 45 hariya.** »*

Yesu Agaca Yishura Ati:

- *« **Ego, Data, uzozironka** »*

Inzu 45 ziyongera zingana n'imitima yakiriye agakiza, inzu nshasha nyinshi ziguma zubakwa hiyo hejuru. Imana Irategeka hanyuma ukwubaka kugaca gutangura ubwo nyene. **YESU NI WE MWUBATSI MUKURU. Imana ni yo Muremyi w'Amajuru. Yesu, nk'Umwubatsi mukuru, arategura imirongo y'ubwiza bw'agakura amazu yo mw'Ijuru atondako.**

Mbega si We Yivugiye Ati:

– *« I muhira kwa Data har'amazu menshi, ngiye kubategurira ahanyu. »*

Ni We ubwiwe arōngōra ibikorwa vy'iterambere ry'ubwubatsi. Ni We Mwubatsi asumba abubatsi bose. Ari mu nzira ija i Galilaya, yavuze ati:

– *« Imbgebge ziri n'imyobo, n'ibiguruka mu kirēre biri n'ivyāri; arik'Umwana w'umuntu we ntagira ah'arambika umusaya. »*

Ubuzima bwiwe bwari bwahereye mu ruhongore. Yarababaranye n'abakene, abatagira aho baba, abatagira ikintu na kimwe batunze.

Urashobora kuba utagira n'igiceri ariko ukaba ufise inzu rwawe bwite y'ubwiza bw'agakura hafi y'Imana. ***Gusa nuze kuri Yesu.*** Umwakire nk'Umukiza wawe. Urek'umutima wawe wezwe n'Amaraso yiwe. Ico ni co kiguzi wewe usabwa gusa. Ntiwumva ko vyoroshe? Biratangaje! Icubahiro kibe ic'Imana!

Hanyuma y'ivyo nabonye umwagazi yacumiswe…Mbega umwagazi yacumiswe yerekana iki ? Ni inyishu ya Yesu. Ku Maguru yawo yose harikw amaraso. Umwagazi yacumiswe kuva kukuremwa kw'isi. Yohana umubatizi yari yarabitangaje ati :

– *« Nguyu Umwagazi w'intama w'Imana ukūrah'icaha c'abari mw isi. »*

Ni We, ni Yesu. Igihe nariko ndavugana n'abantu bari hariya, muri bo harimwo mama wanje hamwe na Mariya nyina wa Yesu. Batangarira ibirori Yesu yakora. Mama wanje yaciye ambwira ati :

– *« Urabona ingene ar'agakura? Ntushobora kwibaza ingene mpimbawe no kuba hano Percy! »*

Ntiyarazi ko jewe nd'uwuzosubira kw'isi.

Inyuma y'imisi itatu (yo kw'isi), ni ho yabitahuye; kubw'ivyo naramusavye nti:

– *« Mama ntiwifuza kumperekeza ninasubira kw'isi? »*

Yaciye anyishura ati:

– *« Oya, oya, oya, NTA NA RIMWE nokwifuza gusubira ha hantu h'ubugesera. »*

Narageraje kuvugana n'umwe – umwe , ninginga gose, ariko nta n'umwe yifuje ko tuzanana…***Ariko nagarutse kugira ngo nzanire ubu butumwa isi.*** Kimwe gusa, ndazi iyo nja, kandi nzosubira kuja mw'Ijuru kukw Imana yarabinsezeraniye, kand'ivyo birampagije kuba narumvise ***Ijwi ry'Imana kuko Rivuga Ukuri imisi yose.*** IJAMBO RY'IMANA, ni ryo RIDUKURAMWO AMAKENGA.

Reka dusubire inyuma kuri za nyubako. Har'iki musi y'izo nzu? Mbeg'amatanguriro yazo ameze gute? Ico n'ikintu gitangaje cane : ahagaze ku bw'Ubushobozi bw'Umwami Yesu. Mur'ino si, mutegerezwa kwimbagura gushika mushikire ahagumye, mugashiraho amatanguriro akomeye, mukavanga ivyuma n'isima mu buryo bukomeye. Ivyo ni ngombwa birakenewe cane. Hiyo hejuru mw'Ijuru, Imana ni yo Mushinge kandi ni Yo itumye vyose bihagarara, mu Kiganza cayo.

Hanyuma nabonye ibiri musi y'Ibirenge vyayo. Ndiko mvuga koko ibiri « Musi y'Ibirenge vyayo », kuko narabibonye. Narabiravye akanya gato kandi vyari bikwiye. Hariho urusumanyenzi rutagira iherezo, kandi aho ni ho Satani agiye

gukororerwa. Hateye ubwoba bw'ubugesera! Ni ngombwa mubimenye, hariho urusumanyenzi, ariko hariho kandi n'Intebe y'Imana y'Ubwami yo guca amateka. Ikintu kimwe kikumenyesha k'uzorenguka imbere y'iyo Ntebe n'ukuba warateye akagere Imana mu buzima bwawe. Kuba warayiteye ibitugu burundu ni yo nzira yonyene itera kurenguka imbere yayo.

Nta caha kinini kibaho Imana idashobora kubabarira, nta caha cananiranye. Ukwica? Abicanyi barababariwe n'Imana. Murashobora kwibaza? Ego, birashoboka!

Hariho umugabo umwe muri Kolombiya yitwa Shaw-Shaw yagenda mu mayira, yicagura abantu kandi arikw agenda arasahura. Igihe yarakiri mu gisoda, abakobwa biwe na bashikiwe barabafashe ku nguvu barabasambanya, ivyo bica bituma ata umurongo.

Naravuganye na Shaw-Shaw mu misozi. Yari yamanutse ku misiyoni aje kwiba mu bubiko bw'ibikoresho n'imiti.

Imana ic'impa ijambo ry'ubwenge nca ndamubwira nti:

- *« Shaw-Shaw, nifuza kwitwararika abana bawe; akira imiti kugira ngo ntibandure marariya. »*

Ariyumvira gato hanyuma, aca ashira hasi inkoho yiwe, aca anyishura ati:

- *« Ivyo ni vyiza ».*

Yari yiteguriye kunyica.

Murazi, nari mu bihe bisiga ubwenge! Ariko aho kunyica, yaciye ansaba ngo ndamukurikire mu bitandara, gushika dushike mw'isenga yabamwo. Nari hagati mu bisuma…hanyuma aca antoreza ishikanwa. Si ibintu bimenyerewe aho ibisuma rutete bija hamwe hanyuma bigatororokanya ishikanwa kugira ngo bimpe amahera. Urwo rwari uruhande rutwengeje rw'igikorwa, ariko kuva uwo musi nabonye igitigiri kinini c'ivyo bisuma vyiwe vyihana.

Hanyuma umusi umwe, i Bogota, umusoda w'umunyakolombiya yabonye Shaw-Shaw, aramumenya aca aramurasa. Ishengero rya Katolika rica rimutegurira ibirori bikomeye vy'amaziko ; bwari uburyo bwabo bakoresha kugira ngo bamenye abo bakorana. Kandi ni vyo vyabaye : benshi baciye bafatwa uwo musi.

Ariko Imana ntirobanura abantu k'ubutoni, kuko nabonye benshi mu bagenzi biwe ba kera mw'Ijuru. Ababandi bahindutse, bakavuka ubwa kabiri hanyuma bakuzura Mpwemu Yera. Bari mw'Ijuru.

Asangwa rero Imana ishobora gukiza abicanyi hanyuma ikabatunganya neza ngo baje mw'Ijuru, nta kintu na kimwe itotunganya, nta kintu na kimwe Imana itoshobora gukora. Haleluya!

Natembera mu kibanza c'uburebure bw'amakika buri hagati y'ibirometero 600 n'ibirometero 700, imbere y'Intebe y'Ubwami y'Imana, nar'aho ntemberana na Yesu. Mw'Ijuru, umuntu aguma atembera uko ashaka, akaguma ahura n'abo yakunze kw'isi. Umwe akakubwira ati :

– *« Yambu, uraho ? Mbeg'umunezero wo kukubona Percy! Uri kumwe natwe mw'Ijuru, Imana iguhezagire! Mbeg'umunezero! Uraz'ingene duhimbawe no kukubona hano ! »*

Muzokwibera mu myanya idasanzwe y'ibirori gusa hiyo hejuru mw'Ijuru, muhura n'abo mwumvise canke mwabonye in'epfo kw'isi. *«Ukwitahira i muhira »* ni co kintu ca mbere c'akaroruhore umuntu yoshobora kwiyumvira. Kand'ico gihe, nari najanye n'umutima wanje gusa.

***Mbega bizoba bimeze bite nitwashika hiyo hejuru mw'Ijuru n'imibiri yacu ihinduwe misha!***
***Inzamba ni yavuga, tuzoba turi amamiriyoni n'amamiriyoni dutashe i muhira kwa Data kugira ngo twameyo ibihe vyose!***

***Vyashizwe mu kirundi na :***
*Célestin Manirakiza*
*manirakiza_celest@yahoo.fr*

## *UGUSOZERA*

*Ncuti nkunda uhejeje gusoma ino ntahe y'ubutumwa Umwami Yesu yarungikanye uyu mutama, ndizera k'ugiye kuba umwe mu bagiye gukwiragiza ubu butumwa bwiza ku batabizi kugira ngo umusi umwe ntibaze bisange mu Muriro kandi bari gushobora gukizwa bakaja kunezeranwa n'abera mw Ijuru hamwe n'Umwami wacu Yesu Kristo.*

*Kumbure birashoboka ko wasomye iy'intahe y'ubutumwa bwiza utarakira Umwami Yesu nk'Umwami n'Umukiza w'ubugingo bwawe canke ukaba wari warasubiye inyuma ukamuta. Ubu n'akaryo kawe ko kumwakira kugira ngo ube uwiwe; kuko hamwe wopfa utamufise woca wisanga mu Muriro udahera ukaba mu marushwa kandi wari wateguriwe Ijuru, ukazoguma wicuza urira kandi wari waronse akaryo ko kwihana ukagapfisha ubusa. Niba rero wahisemwo n'umutima wawe wose kwihana ivyaha vyawe, nagira ndagusabe usubiremwo kandi wature usohora ijwi iri sengesho uti:*

*"Mana yanje, ndaje kuri wewe mur'uyu mwanya,*
*Ndemeye ko ndagukeneye mu bugingo bwanje,*
*Ndazi ko nd'umunyavyaha kandi natahuye ko noja mu Muriro hamwe nopfa. Ariko numvise ivy'Ijuru ingene ari vyiza kandi ni vyo ngomba ko nobamwo hamwe nopfa,*
*Data uri mw Ijuru, ndagushimiye ko warungitse Yesu Umwana wawe kubwanje,*
*Ndemera ko Yesu ari Imana Mwana kandi ko yaje kw'Isi yambaye umubiri usa n'uwanje,*
*Ndemera ko Yapfuye Agasesa amaraso Yiwe kubwanje ku musaraba i Karuvariyo,*
*Ndemera ko yaciriwe urubanza mu gishingo canje kugira ngo sincirwe urubanza kandi sinje mu Muriro udahera.*
*Ndemera ko yazutse mu bapfuye ku musi ugira gatatu ubu akaba ari muzima,*

*Ndagusavye imbabazi ku vyaha vyanje vyose kandi ndahevye ikibi mu buzima bwanje kuva uno musi.*
*Ndizeye k'uhariye ivyaha vyanje vyose,*
*Mwami Yesu, ingo unkize ubu nyene, ingo wibere mu mutima wanje uheze uhindure ubuzima bwanje.*

*Kaze Mwami Yesu, kaze Mwami Yesu!*

*Ndizeye k'unkijije mur'aka kanya nyene kandi ndakwakiriye mu buzima bwanje ubu nyene, ndakiriye agakiza umpaye ku buntu mu buzima bwanje ubu nyene.*
*Satani, nta bubasha ukimfiseko kuko kuva ubu ncitse uwa Yesu.*
*Urakoze Mwami Yesu k'untsindanishirije nkaba nkijijwe urubanza rwonjanye mu Muriro!*
*Urakoze Mana yanje k'ucitse Data kandi ko hamwe nopfa ubu nyene noca nza mu Bwami bwawe.*
*Urakoze Yesu Kristo k'uri Umukiza wanje,*
*Urakoze Mpwemu Yera kuk'uba muri jewe ibihe bidashira.*
*Amen!"*
*Ndagukeje! Kuk'uronse ingabire iruta izindi zose umuntu yoshobora kuronka nimba koko wasenze iryo sengesho n'umutima wawe wose kandi wafashe ingingo yo guhitamwo Yesu.*
*Uwuri muri Kristo Yesu aba ari icaremwe gisha. Nk'uko mu gitabo ca 2Ab'i Korinto 5:17 habivuga neza ngo: «Nuko rer'umuntu wese ari muri Kristo, aba ar'icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha.»*

*Noguha impanuro ko utoguma wenyene ariko ko worondera ishengero rikwegereye basigura ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo kugira ngo rikurerere mw'Ijambo ry'Imana, urondere Bibiliya uze urasoma Ijambo ry'Imana kandi Ubatizwe mu mazi menshi nk'uko Yesu Kristo ubwiwe yatubereye akarorero.*

*Imana ibahezagire mwese mwahisemwo gufadikanya nanje igikorwa co gukwiragiza kino gitabo kugira ngo abantu ntibaje*

*mu Muriro ariko baje mw'Ijuru. Vyoba bibabaje cane hamwe incuti, ababanyi, abagenzi n'abandi bantu dushobora gushikira bagiye kuba inyuma y'urupfu mu magorwa yo mu Muriro kandi twari dushoboye kubabwira ukuri ntitubikore. Muri Bibiliya mu gitabo ca* ***Ezekiyeli 33: 8-9*** *havuga ngo: "****Ninabarira umunyavyaha, nt'Ewe wa munyavyaha, ntuzobura gupfa; nawe ntugire ico uvuga co kubūrira umunyavyaha ngw ave mu ngeso ziwe: uwo munyavyaha azopfira mu bigabitanyo vyiwe, arikw amaraso yiwe ni wewe nzoyaronderako. Yamara ni wabūrira umunyavyaha ivy'ingeso ziwe, ngw ahindukire azivemwo, na we ntāhindukire ngw azivemwo; azopfira mu bigabitanyo vyiwe, ariko weho uzoba ukijije ubugingo bgawe.****"*

*Imana ibahezagire!*